Zina-kintu cose kiborera, ni inzoga; kandi zina-kintu cose kiborera, kirazira kikaziririzwa kucihereza. Umuntu uwo ari we wese rero anyoye inzoga mu buzima bwo kw'isi, maze akarinda apfa akiyinywa, atigeze yigaya ngo areke kuyinywa akiri muzima, ntazonywa namba ku nzoga mu buzima bw'inyuma yo gupfa

Mu vyakiriwe na Mwene Omari (Imana Allah Ibishimire bompi) yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Zina-kintu cose kiborera, ni inzoga; kandi zina-kintu cose kiborera, kirazira kikaziririzwa kucihereza. Umuntu uwo ari we wese rero anyoye inzoga mu buzima bwo kw'isi, maze akarinda apfa akiyinywa, atigeze yigaya ngo areke kuyinywa akiri muzima, ntazonywa namba ku nzoga mu buzima bw'inyuma yo gupfa".

[صحيح] [رواه مسلم وأخرج البخاري الجملة الأخيرة منه]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaratomoye ko buri kintu cose kiyovya ubwenge kikaborera uwacihereje ari inzoga, caba ari ikinyobwa canke ikiribwa kibure icimoterezwa, canke ibindi bitari ivyo, n'uko ikintu ico ari co cose kiborera kikayovya ubwenge, Imana Allah Yamaze kukiziririza Ikanabuza ko ciherezwa; ukwihereza dukeya kuri co kirazira, co kimwe n'ukwihereza twinshi. Yarerekanye n'uko uwo wese yihereje ikintu ico ari co cose muri ivyo bintu biborera, agashishikara acihereza ntaheze ngo yigaye, maze akarinda apfa akicihereza, ko yagenewe n'Imana Allah ibihano mu kuzobuzwa kucihereza mu Bwami bw'ijuru.

http://www.sunnah.global/hadeeth/rn/show/58259